# 178: yo har' amarushwa mensh' ateye

1. lyo har' amarushwa mensh' ateye,
Mukihebura ko mutagikira,
Muce muharur' imigisha yanyu,
Izobatangaz' ingen' ari myinshi.

Ref: Muharur' imigisha yanyu,
Ntimusige n' umwe muri yo,
ly' Imana yabaronkeje
Irabatangaz' ingen' ari myinshi.

2. Mbega muremerewe n' amaganya?
Mugira ngo ntimwovyihanganira?
Muharuy' imigisha muririmba
Ntimwomeny' iyo yakamanganiye.

3. Mw isi har' itunga, nk'inka n'ibindi.
Arikw'irya Yesu rirabiruta,
Itunga ryo mw isi ntiryoduhesha
Cukizw' ivyaha no kuja mw ijuru.

4. Amarushwa naho yoba mensh' ate
Ntimwihebur' Iman' irabakiza,
Mwibuk' imigisha yany' ukw ingana,
Irabibagiz' amagorwa yose.

Visit us at burundi.indirimbo.com